Kontakt: Meinolf Wacker
Kirchplatz 7
59174 Kamen

Mobil.: +49-172-5638432
Mail: meinolf.wacker@go4peace.eu
Homepage www.go4peace.eu

Gitugutu / Oktober 2019 *kirundi*

Tange, niho namwe bazobaha.

(Luka 6,38)

Kora ikintu kiboneka!
Be concrete!

Bakunzi b'Ijambo,

Hari kuwa gatanu mweranda – kandi bwari bwije. Kubera ko mu Bufransa atari umusi w'akaruhuko, yabwirijwe gufata urugendo isaha cumi na zibiri akazi kaheze. Yashitseyo isaha zitanu z'ijoro. Baje ari babiri kumwakira aho yururukiye. Yari yafashe urwo rugendo ngo shobore kwifatanya n'umugenzi wiwe yahimbaza umusi mukuru wo gukomezwa muri Mutima Mweranda. Ubu rero abo bompi bari bahwanye haheze igihe kirekire. Umuntu yarumva akanyamuneza gakomeye kandi k'ukuri hagati y'abo. Umusi wakurikira wari umusi w'akaruhuko. Twariteguriye umusi mukuru wa Pasika turi kumwe n'abandi bagenzi. Elodie ava mu gisagara kitari kure ya Paris yaciye yinjira mu rubanza. Yaratwitangiye uko ashoboye kwose.

Niho rero ibirori vy'ijoro vy' umusi mukuru wa Pasika vyatangura. Uyo mugenzi wiwe araronka Ikomfirimasiyo. Cari igihe c'akaroruhore. Narihweje Elodie. Emwe yari yatamariwe yuzuye agahimbare. Amaso yiwe wamenga ariko abona „urugi rw'ijuru", yuzuye amahoro n'akanyamuneza. Inyuma y'imisi ibiri, yari yasubiye i Paris. Niho rero yandika ati : „ erega burya naragize intuntu mu mutima, kuko hari haheze igihe kirekire naribagiye ico kuba mfise Imana mu buzima bwanje bisigura. Ubu rero ndategera ko nshobora kumusaba vyose, kuko ariho ari, kandi ko nshobora no gusabira abandi. Ivyo nabitegereye urya musi".

Ndibuka ingene Madeleine Delbrêl yategereye akiri muto ko „dushobora gukunda Imana nk'uko dukunda umutu". Ivyo vyaciye bihindura rwose ubuzima bwiwe. Ubwo buhirwe nyene nibwo Elodie yatahuye. Niho rero yaca yihereza amabarabara ngo ashobore guhwana na Yezu mu bantu. Uwo yabona wese, yamwuzuzamwo Imana mu mutima kubw'igisabisho.

„Ni mutange, niho namwe bazobaha", uko niko Yezu yabwiye abigishwa biwe. Yarongeyeko ati: „ingero nyayo, yuzuye, itsindagiye kandi isesekaye niyo namwe muzogererwako!". Uwo „mwuzurira w'ubuzima" niwo nabonye wibonekeza mu maso ya Elodie. Yari yatanze koko mu kugira ibirometero ijana aje ku musi mukuru w'umugenzi wiwe. None yatashe yagabanye bishemeye. Yezu yari yamukozeko mu mutima. Yari yaronse : ibibereye kandi bisesekaye. Kwitanga mu rukundo cama ari ikintu kiboneka. None rero: **Kora ikintu kiboneka! - be concrete!**

Ku bwa OnWord Team Meinolf Wacker